Ijambo Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye, Umukuru w'Igihugu c'Uburundi ashikirije ariko arazimana ku rwego rw'Igihugu Nyenicubahiro Sahle - Work Zewde, Umukuru wa Repuburika Iharanira Demokarasi kandi Yunze ubumwe ya Etiyopiya. Bujumbura, ku wa 9 Ruhuhuma 2021

Nyenicubahiro Mukuru w'Igihugu ukaba n'Umuvukanyi,

1. Ntanguye gukengurukira Imana Mushoboravyose yaremye igihugu cacu c'Uburundi ikaba iguma igikingira gushika n'uyu musi. Nininahazwe kuko yakingiye abashitsi bacu ikabashikana hano iwacu impore, na cane cane Umushitsi wacu w'iteka Nyenicubahiro Sahle - Work Zewde, Umukuru wa Repuburika Iharanira Demokarasi kandi Yunze ubumwe ya Etiyopiya.

2. Kw'izina ry'Abarundi bose, kw'izina rya Reta y'Uburundi no kw'Izina ryanje nyene, ndagushimiye kubona wahisemwo kugendera igihugu cacu ciza c'Uburundi muri iki gihe kidasanzwe ata wumenya ico afata n'ico areka kubera Ikiza kigeramiye isi yose ca Covid-19. Nashaka kuguha ikaze Nyenicubahiro ukaba n'Umuvukanyi, mwe n'abo mwagendanye, tukwakiranye igishika mu gihugu c'amata n'ubuki, igihugu kirimwo isoko rya mbere ry'Uruzi Niri riri mu bumanuko bwa Afirika, kaze i Burundi.

3. Igihucu cacu c'Uburundi carabaye rurangiranwa mu makungu kubera ukuntu cakira neza abashitsi, ubwiza bw'imisozi n'ibiyaya vyaco, inzuzi n'ibiyaga vyaco, ariko cane cane kubera ikiyaga rurangiranwa Tanganyika cuzuye ifi z'akanovera kadasanzwe.
Nashaka ndabatumirire gufata akanya, Nyenicubahiro, mwirabire mwongere mwinovore uko imico n'akaranga k'igihugu cacu gatandukanye, muzirikane imvyino n'indirimbo kama, na canecane Ingoma z'Uburundi zashizwe ku rutonde rw'isi rw'Itunga ry'Akaranga Ntagerwa. Kaze rero iwacu, nkako Uburundi na Etiyopiya ni ibihugu bivukana.

4. Muri kano kanya turiko turabakira, twuzuye akanyamuneza kuko Uburundi ari ihanga ryahezagiwe n'Imana. Kukaba nkako Imana twayihaye ikibanza ca mbere mu buzima bwacu no mu vyo dukora vyose.
Ni iteka ntangere kuri twebwe kubona dufise igihugu kivukanyi nka Etiyopiya gifise izina muri Bibiriya, na canecane mu rwandiko rwerekana ingene Umwamikazi w'i Sheba yagendeye Umwami w'Isirayeri Salomo.

5. Afirika nzima iraha icubahiro Etiyopiya, kimwe mu bihugu vya Afirika vyabayeho kandi vyitunganije kuva kera cane, kuko cagumanye ukwishira n'ukwizana mu guhangana n'abari baje kukivogera abo ari bo bose, n'inguvu bazananye zose.
Etiyopiya, Intwari mu bihugu, yarakuriye inkoni ku gishitsi amakungu mu 1896 aho yatsinda Ubutariyano bwari buje kuyicura bufuni na buhoro mu ntambara yabereye i Adwa, yongera irerekana ubutwari bwayo mu mwaka w'1935-36 igihe yari ivogerewe kandi ifashwe n'Ubutariyano bwarangwa n'intwaro y'agahotoro.
Turetse ko yabaye mu bihugu vya mbere vya Afirika vyakingiye intahe yo kwikukira, Etiyopiya yabaye iya mbere mu gufasha ibindi bihugu guhabuza intahe zo kwikukira no mu guhuza ibihugu vya Afirika ngo vyunge ubumwe.

Nyenicubahiro Mukuru w'Igihugu ukaba n'Umuvukanyi,

6. Ubucuti bw’igihe kirekire hagati y’Uburundi na Etiyopiya ni itunga ntangere ku benegihugu b’ibihugu vyompi. Urugendo mwagize mu Burundi, urwa mbere kuva inzego zavuye mu matora yo mu 2020 zigiyeho ; ni ikimenyetso kitabesha cerekana imigenderanire ikomeye iri hagati y’Abenegihugu b’ibihugu vyacu uko ari bibiri. Turabakengurukiye bimwe bivuye ku mutima

7. Nyenicubahiro Muvukanyi wacu, imisi ibiri ugiye kumara muri iki gihugu c’amata n’ubuki izotuma muhana ivyiyumviro n’Abarundi mu bijanye n’ubuhinga n’ubumenyi, tutibagiye kwihweza ubushobozi bwacu mu bijanye n’urudandazwa n’ugushira imitahe mu Burundi. Tuzokwihweza, ku rwego rwo hejuru rw’ibihugu vyacu, ivyoshobora gukorwa vyose mu ntumbero yo kwegeranya abenegihugu bacu mu ndinganizo z’imigambi yoduteza imbere tukahungukira twese.

8. Turashima cane utwigoro mubandanya kugira ngo mutsimbataze Demokarasi kandi turipfuriza Abanyetiyopiya amatora meza mu mwaka w’2021 kuruta ayo mumaze gutunganya. Ntitworonka uko tubashimira ku karorero keza mwahaye Abanyafirika mu gukora ibishoboka  vyose ngo igihugu canyu kigume ciyunze. Bisubiye, turi kumwe na mwe mu rugamba rwo kugwaya imigwi y’inkozi z’ikibi yose ishaka gusambura imbibe z’igihugu ca Etiyopiya. Imigwi nk’iyo yigisha iterabwoba, amacakubiri, kwiyonkora ku gihugu, vyaba ibifatiye ku miryango, amadini, urukoba canke ukwemera, nta kibanza bifise mu kinjana ca 21 muri Afirika no kw’isi yose.

9. Mu Burundi, duhejeje gutsimbataza poritike no kubumbatira ukwishira n’ukwizana kw’igihugu cacu, twaciye twihatira iterambere ry’imibano n’ubutunzi kugira ngo twubake igihugu giteye imbere kandi gitekanye, mu gushira abenegihugu bose ku kivi. Simpengeshanya guhamagarira abagenzi bose b’uburundi n’abo dufashanya imigambi y’iterambere haba biciye mu migenderanire hagati y’igihugu n’ikindi canke hagati y’Amashirahamwe mpuzamakungu n’igihugu cacu, kuduherekeza muri uwo mugambi w’iteka.

10. Twatanguriye ku guteza imbere uburimyi n’ubworozi kugira ngo abenegihugu baronke imfungurwa zikwiye hanyuma bashore umusesekara hagati mu gihugu canke mu mahanga kugira ngo baronke amahera yo kwikenura mu vyo bakeneye vyose. Vyongeye, twarorehereje bimwe biboneka abanyamitahe mu kubaha uburusho bukwiye mu bikorwa vyabo.

11. Turabona ko Etiyopiya ari igihugu gifise amateka adasanzwe muri Afirika n’inyuma y’imbibe zayo mu bijanye n’ubucuruzi. Urudandaza mu vy’ugutwara abantu n’ibintu mu ndege igihugu canyu gifisemwo uburambe ntayegayezwa bw’ikiringo kirenga igice c’ikinjana, ruratera iteka Afirika. Ni co gituma Uburundi bufise vyinshi bwokwigira ku buhinga n’ubumenyi bwanyu mu gisata c’indege no mu bindi bisata bitandukanye.

Nyenicubahiro Mukuru w’Igihugu ukaba n’Umuvukanyi,

12. Uburundi, co kimwe n’igihugu canyu, bwarahagaze rugabo mu guhangana n’umugambi ugayitse wo gushaka gutembagaza ubutegetsi bwari bw’itorewe n’abenegihugu mu 2015. Iyo migambi igayitse yatwaye ubuzima bw’abatari bake muri beneburundi, tudasize inyuma isahurwa ry’ubutunzi bw’igihugu n’ukwonona inyubakwa rusangi, vyari bibangikanye

n’igikorwa kigayitse co gutyoza no gucafuza ishusho ry’indongozi z’igihugu cacu mu makungu. Ikibabaje ni uko ibihugu bimwebimwe vya rutura vyaguye mu mutego maze birafasha vyongera birashigikira ubwo bubisha.

13. Bushigikiwe n’abagenzi n’ibihugu bifise akarangamutima ko gukingira inyungu za Afirika harimwo Etiyopiya, Uburundi bwaraburijemwo uwo mugambi ugayitse wo gusubiza mu buja ibihugu, buraheza bukingira inyungu z’abenegihugu. Biraturemesha rero kubona tudatamba twirorera muri urwo rugamba. Ugushigikirana kw’abanyafirika kwaratubereye ingirakamaro cane ari na co gituma twama twiteguye gusubiriza mu ndumane uwo wese adusavye kumuterera agacumu k’ubumwe mu gufasha abandi benegihugu babikeneye.

14. Kukaba nkako, Igihugu cacu kirafise uruhara rukomeye mu bikorwa mu karere no ku rwego rwa Afirika, nk’ibijanye no kubungabunga no gutsimbataza amahoro kandi ntaco kitazokora mu guterera agacumu k’ubumwe  aho hose bizoba bikenewe kugira ngo Abenegihugu batekanirwe, na kare umutekano urama, ni isoko ry’ukubaho neza kw’abantu. Turamaze kwumva kandi tubandanya twumva amashimwe y’abenegihugu twagiye gufasha, kuva muri Haiti gushika muri Somaliya uciye muri Centrafirika n’ahandi tutiriwe turadondagura.

15. Uburundi na Etiyopiya vyarafashanije mu nzego mpuzamakungu harimwo Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU no mw’Ishirahamwe rihuza Ibihugu vya Afirika na Pacifike n’Uburaya (ACP-UE), ivyo bihugu bikaba mbere biriko biragirana ibiganiro kugira ngo birabe ko hokwubahirizwa ukungana kw’ibihugu, ubutungane, hamwe n’ukwubahiriza imbibe z’ibihugu mu migenderanire hagati y’iyo migabane ibiri y’isi ihuzwa n’urudandaza. Kukaba nkako, ivyo bihugu vyompi bisangiye intumbero imwe y’uko ibihugu vyo kw’isi bifise ivyiyumviro bitandukanye, yuko ibihugu vyose vyogira ijambo mu mashirahamwe mpuzamakungu ata wukumiriwe hamwe n’ukungana hagati y’ibihugu.
Tuboneyeho akanya ko gushimira abo bose bashigikiye Uburundi muri iyi myaka itanu iheze, mu buryo bugaragara canke  butagaragara, mu rugamba  bwarimwo  rwo kurwanya akarenganyo kibonekeza  mw’ishirahamwe mpuzamakungu ONU,  urugamba rwahavuye rutuma Uburundi bukurwa ku rutonde rw’ibihugu vyigwa agasakisaki mu Kanama Kajejwe Umutekano k’ishirahamwe mpuzamakungu  ONU. Turashimiye bimwe bivuye ku mutima igihugu ca Etiyopiya.

16. Sinkekeranya ko ugufashanya kw’ibihugu vyacu mu bisata bishasha  bizotororokanywa muri iyi misi y’urugendo murimwo kuzorushirizaho kuduhuza mu bucuti n’ugufashanya birama. Ko tukiri  mu ntango z’umwaka, mboneyeho akaryo ku kubipfuriza umwaka mwiza w’2021, uzobabere umwaka w’akanyamuneza n’amahoro kuri mwebwe no ku Banyetiyopiya bose.  Imana Mushoboravyose nihezagire  imigambi yanyu n’utwigoro twanyu two guteza imbere ukuruta igihugu canyu  nyagukundwa.

17. Ni kuri ayo majambo, ba  Nyenicubahiro mwese muri ngaha, ndabasavye ngo mwifatanye na nje, dukirize akarahuri, mu kwipfuriza :
- Nyenicubahiro Sahle-Work-Zewde kuroranirwa, kugira ubuhirwe no kubaho neza;
- ukubaho kwiza no gutera imbere muri Repuburika Iharanira Demokarasi kandi Yunzubumwe ya Etiyopiya no
- kurama kw’ubucuti hagati y’Uburundi na Etiyopiya.

Imana ibahezagire.